REPUBLIKA Y'UBURUNDI
UBUSHIKIRANGANJI
BW'UBUTUNGANE
SENTARE YUBAHIRIZA
IBWIRIZWA NSHINGIRO
RYA REPUBLIKA Y'UBURUNDI

République du Burundi
Au nom du peuple Murundi
La Cour Constitutionnelle a rendu
l'arrêt suivant :

**SENTARE YUBAHIRIZA IBWIRIZWA NSHINGIRO, ISHASHE MU MANZA ZO KUGENZURA AMATORA Y'ABASHINGAMATEKA YACIYE URUBANZA N° RCCB.134 RUKURIKIRA.**

Twihweje ikete ryo kuwa 22 Mukakaro 2005 Urunani rw'Amashirahamwe y'Abakenyezi b'i MAKAMBA rwandikiye umukuru wa Sentare yubahiriza Ibwiirizwa Nshingiro rwitwarira umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora (CENI) ;

Twihweje ko urwo rubanza rwaciye rwandikwa ku rutonde rw'Imanza z'iyo Sentare kuwa 25 mukakaro 2005;

Twihweje ko iyo Sentare yaciye yihweza urwo rubanza kuwa 25 mukakaro 2005; hanyuma igaca irushira mu mwiherero w'abacamanza kugira ice urukwirikira :

## ISHINGWA RY'URUBANZA :

Kubera ko ingingo ya 84 y'ibwirizwa n° 1/015 ryo kuwa 20 Ndamukiza 2005 rishiraho igitabo c'amategeko kigenga amatora itegekanya ko Sentare yubahiriza ibwirizwa nshingiro yakira urubanza rwanditse, ko Urwo rubanza rutegerezwa kwakiririrwa mu biro vy'umwanditsi w'imanza w'iyo Sentare mu misi icumi ikwirikira itangazwa ryivyavuye mw'itora, ko kandi Ububasha bw'uguhakana itora bufiswe n'abantu bose biyandikishije ku ntonde z'abitoje mu karere iryo tora ryabereyemwo hamwe n'abantu berekanye ko bashaka kwitoza ;

Kubera ko urubanza rwashikjirijwe Sentare yubahiriza ibwirizwa nshingiro, dusanga rwashinzwe n'Urunani rw'Amashirahamwe y'Abakenyezi b'i MAKAMBA ;
Kubera ko urwo Runani rw'Amashirahamwe y'Abakenyezi b'i MAKAMBA rutari muri abo bantu bavugwa mu ngingo ya 84 y'igitabo kigenga amatora mu gace kayo ka kabiri ;
Ko rero urwo runani rutarekuriwe n'amategeko agenga amatora gushinga urubanza ruhakana itora muri Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro.

**KUBERA IZO MVO ZOSE**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cour Constitutionnelle

**Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro ishashe mu manza zo kugenzura itora ry'abashingamateka ;**

Yihweje Ibwirizwa Nshingiro rya Republika y'Uburundi mu ngingo yaryo ya 228 mu karongo ka kane ;

Yihweje Ibwririzwa n° 1/018 ryo kuwa 19 Kigarama 2002 ryerekeye Iringanizwa n'ugukora kwa Sentare yubahiriza ibwirizwa nshingiro hamwe n'amategeko akwirikizwa mu guca Imanza ziburanishwa muri iyo Sentare ;

Yihweje Ibwririzwa n° 1/015 ryo kuwa 20 Ndamukiza 2002 rishiraho igitabo c'amategeko agenga amatora mu ngingo yaryo ya 84 mu gace ka kabiri ;

Imaze gushira urubanza mu mw'iherero w'abacamanza nkuko amategeko abitegekanya ;

**ISHINZE KO :**

Urunani rw'Amashirahamwe y'Abakenyezi b'i MAKAMBA rudafise uburenganzira bwo gushinga urubanza ruhakana itora muri Sentare yubahiriza Ibwirizwa Nshingiro.

…/…

78



Uko niko ruciwe kandi rusomwe i Bujumbura mu ntahe y'icese yo kuwa 25 Mukakaro 2005 hashashe :

UMUKURU W'INTAHE

Domitille BARANCIRA.

ABACAMANZA :

- Elysée NDAYE
- BARANDAGIYE Pascal
- Spès-Caritas NIYONTEZE
- Jean MAKENGA
- Gilbert NIMUBONA
- Salvator MPERABANYANKA

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Pour copie certifiée conforme à l'original
Bujumbura le .......................... 199 ....
Le Greffier de la Cour Constitutionnelle
Cour Constitutionnelle

Délivré pour usage administratif

UMWANDITSI W'IMANZA

Irène NIZIGAMA.